# *Umugambi wa North Carolina Infant-Toddler Program*
# *IMENYESHA RY'UBURYO BWO KURIHA*

Ishirahamwe riyoboye umugambi wa Carolina ya ruguru w'Impinja n'Imicuko (ITP) ni igice c'igisata kijejwe ukubaho neza kw'Abana n'Umuryango. Ku rwego rukwegereye, Amashirahamwe akora ibikorwa vyo kwitaho ugukura kw'Abana (CDSAs) akora ibikorwa vya ITP. Iri tangazo ryanditswe ni iryo kukumenyesha Uburyo bwa ITP bwo Kuriha. Iyi nyandiko ni incamake y'amafaranga ya ITP, poritike yo Gutanga Fagitire no Kuriha n'ayandi makuru bijanye ashobora kuboneka ku rubuga rw'umugambi (https://www.ncdhhs.gov/itp-beearly).

**IBICIRO BIJANYE N'UBUSHOBOZI BW'UMUNTU VYA ITP (SFS):**

- ITP ikoresha Ibiciro Bijanye n'Ubushobozi bw'Umuntu (SFS) mu kwemeza ubushobozi bw'umuryango canke ubushobozi buke bwo kuriha ibikorwa vya ITP.
- Kopi ya ITP SFS n'Urutonde rw'Ibiciro biraboneka ku rubuga rw'umugambi (https://www.ncdhhs.gov/itp-beearly).
- Nta muryango ushobora kwimwa ibikorwa vya ITP bitewe no kubura ubushobozi bwo kuriha.

**IBIKORWA "UMURYANGO UTARIHISHWA"**:

- Ibikogwa vya ITP bikurikira bihabwa imiryango nta kiguzi, hatitawe ku bushobozi bw'umuryango bwo kuriha bwemejwe:
  - Ibikorwa vyo kurondera abana bafise ubumuga, isuzuma n'igenzura, ubuhuzabikorwa bw'ibikorwa, ibikorwa vy'ubuyobozi n'ubuhuzabikorwa bijanye n'iterambere, igenzura, n'isuzuma ry'integuro y'ibikorwa bibereye ku Miryango (IFSP) n'ishirwa mu ngiro ry'amategeko akingira abana n'imiryango.
- Ibikorwa vyose bihabwa umuryango mbere y'igikorwa c'Intango ca IFSP (kwiyandikisha) ni igikorwa "Umuryango Utarihishwa".

**IBIKORWA"BIRIHISHWA"**:

- "Ibikorwa birihishwa" ni ibindi bikorwa vyose vya ITP, uretse ibiri ku rutonde haruguru nk'ivyo "Umuryango Utarihishwa".
- Ikiguzi umuryango utanga (ijanisha rya SFS) gisabwa ku bikorwa vyose vya ITP birihishwa, vyemewe n'umuryango, kuri IFSP.

**IGENZURA RY'AMAFARANGA UMURYANGO WINJIZA / KWEMEZWA NA SFS:**

- Uko umuryango ungana n'amafaranga yose hamwe umuryango winjiza bikoreshwa mu kwemeza ijanisha rya SFS canke uruhara mu umuryango utanga ku kiguzi.
- Inyandiko z'igenzura zisabwa ku kurungikwa ahandi no ku mwaka nyuma yo kwiyandikisha.
- Iyo vyemejwe ko umuryango udafise ubushobozi bwo kuriha ibikorwa vya SFS% ico gihe ushirwa kuri 0%.
- Umuryango niwanka gutanga amakuru akenewe kukugene umuryango ungana n'amakuru yerekeye amafaranga yose hamwe winjiza, ijanisha ryawo rya SFS rizoshirwa ku 100%.
- Umuryango uzomenyeshwa SFS% yawo n'abakozi ba CDSA kugira ngo wiyunvire ku kiguzi c'ibikorwa vya IFSP mu gihe co guhitamwo kwemera canke kwanka ibikorwa.
- Nk'uko vyerekanwe mw'Itangazo ry'umugambi w*a Carolina ya ruguru w'Impinja n'imicuko ryerekeye Uburenganzira bw'Abana n'Umuryango,* umuryango ushobora kwanka amafaranga yose yemejwe igihe ico arico cose.
- Amafaranga Ntarengwa ku Kwezi - uruhara rw'amafaranga rusabwa umuryango mu kwezi ku gikorwa wakorewe na IFSP ntirushobora kurenga 5% y'amafaranga yose hamwe umuryango winjiza ku kwezi. CDSA izomenyesha umuryango igitigiri ntarengwa utegerezwa gutanga mu kwezi.

**GUTORERA INYISHU INGORANE:**

- Umuryango urashobora kwandika ubisaba igihe ico arico cose ku kwibaza ku ngorane ufise ku vyerekeye ijanisha rya SFS iyo amafaranga yose hamwe winjiza ahindutse canke ugizweko ingaruka n'amafaranga menshi yakoreshejwe mu buvuzi.

**KWEMERA GUKORESHA UKWITEGEKANIRIZA KWIGENGA HAMWE NA MEDICAID:**

- Ibikorwa "Umuryango Utarihishwa" - ni vyemerwa mu nyandiko, ITP izoba ari ukwitegekaniriza kwigenga n'/canke ukwitegekaniriza kwa reta (Medicaid) kuri ibi bikorwa. Iyo hatabonetse umwunvikano kuri fagitire, ITP itegerezwa kubandanya gutanga ibikorwa "umuryango utarihishwa", umuvyeyi yemeye guhabwa, hatabayeho guteba canke guhakanirwa kandi umuryango ntugire amafaranga urihishwa.
- Ibikorwa birihishwa - Umuryango niwemera mu nyandiko kurihisha ukwitegekaniriza kwigenga n'/canke ukwitegekaniriza kwa reta (Medicaid), ITP izorihisha uku kwitegekaniriza ibikorwa vya ITP.
  - Iyo igikorwa ca ITP kitarihwa n'ukwitegekaniriza, uruhara rw'amafaranga umuryango utanga (ijanisha rya SFS) ruzokoreshwa ku Giciro ca ITP (Igiciro ca Medicaid) ku bikorwa birihishwa.

- Iyo igikorwa ca ITP kirihwa n'ukwitegekaniriza, uruhara rw'amafaranga umuryango uriha (ijanisha rya SFS) ruzokoreshwa ku mafaranga yose asigara ku yaciwe ukwitegekaniriza inyuma yo gukora integuro y'indishi z'uturusho. Umuryango ntuzorihishwa igitigiri kiri hejuru y'igiciro ca ITP (Igiciro ca Medicaid).
- Menya ko ibigo vyose vy'ukwitegekaniriza bifata CDSA nk'ikigo kitari mw'ihuriro.

**MEDICAID:**

- ITP ntishobora gusaba umwana kwiyandikisha muri Medicaid kugira ngo ahwabwe ibikorwa vya ITP.
- Iyo umwana yanditswe muri Medicaid, umuvyeyi ategerezwa kuvyemeza imbere y'uko ITP ubwayo ishobora kubwira Medicaid amakuru amuranga ku nvo zo kurihisha.
- Umuvyeyi afise uburenganzira bwo kwisubirako ku vyo yemeye igihe ico arico cose ubwiwe akabwira amakuru aranga umwana Medicaid ku nvo zo kwishuza.
- Gukoresha ibikorwa vyo kwitaho abana vya Medicaid muri Carolina ya ruguru NTIBITUMA habaho ico arico cose mu bikurikira:
  1) Kugabanuka kw'igihe ukwitegekaniriza kumara canke izindi nyungu izo arizo zose kuri uwo mwana canke umuvyeyi bari muri uwo mugambi,
  2) Abavyeyi b'umwana bariha igikorwa gishobora kwishingirwa n'uturusho rusangi canke umugambi wo kwitegekaniriza,
  3) Kwiyongera ku kwitegekaniriza kwa premium canke uturusho rusangi cyangwa ukwitegekaniriza kw'umwana canke umuvyeyi, canke
  4) Gutakaza kwemererwa kw'umwana canke abavyeyi b'umwana ku isonerwa rishingiye ku rugo canke umuryango munini hisunzwe igiteranyo c'ikiguzi c'ibijanye n'amagara.
- Iyo umwana afise ukwitegekaniriza kwa reta (Medicaid) n'ukwitegekaniriza kwigenga, poritike ya Medicaid isaba ko ukwitegekaniriza kwigenga arikwo kubanza kuriha. Iyo ukwitegekaniriza kwigenga kurihishijwe, ikigo c'ukwitegekaniriza gishobora kurungikira umuryango Insiguro y'uturusho (EOB) n'indishi aho kubirungikira uwakoze igikorwa ubwiwe. Iyo umuryango wakiriye indishi, sheki zose n'inyandiko zerekana ivyakozwe bitegerezwa gushikirizwa uwukora igikorwa ca ITP kugira ngo amafaranga arihwe.

**UKWITEGEKANIRIZA KWIGENGA:**

- Umuvyeyi ategerezwa kuvyemera mu nyandiko kugira ngo ITP ikoreshe ukwitegekaniriza kwigenga mu kurihira umwana ibikorwa vy'Ubutabazi bwihuta. Hashobora kugira amafaranga asabwa ajanye no kurihisha ukwitegekaniriza kwigenga ibikorwa vya ITP. Uturorero tw'integuro yigabanirizwa rihabwa ukwitegekaniriza umuryango utegerezwa ni co-pays, premiums, deductibles, hamwe na co-insurance.
- Umuvyeyi arafise amahitamwo yo guhitamwo kurihisha ukwitegekaniriza kwigenga hanyuma akariha ubwiwe ibikorwa birihishwa kw'ijanisha rya ITP (ijanisha rya Medicaid).
- Iyo umuvyeyi ahisemwo kwemera gukoresha ukwitegekaniriza kwigenga mu kuriha ibikorwa vya ITP:
  - Umunyeyi ategerezwa kuvyemera mu nyandiko mbere y'uko ITP ikoresha ukwitegekaniriza kwigenga mu kurihira umwana ibikorwa vy'Ubutabazi bwihuta.
  - Ukuvyemera mu nyandiko kw'umuvyeyi kurasabwa umwanya uwo ariwo wose habayeho ukwiyongera (mu ncuro, uburebure, igihe, canke ubwinshi) mu gukorerwa ibikorwa kuri IFSP.
- Iyo ukwitegekaniriza kwigenga kurihishijwe, ikigo c'ukwitegekaniriza gishobora kurungikira umuryango Insiguro y'uturusho n'indishi aho kubirungikira uwakoze igikorwa ubwiwe. Iyo ivyo bishitse, sheke hamwe n'inyandiko bitegerezwa gusubizwa uwakoze igikorwa ca ITP kugira kirihwe.

**PORITIKE YO KWEGERANYA AMAHERA YA CDSA:**

Indishi zose ku bikorwa vyakozwe na CDSA hamwe n'abakozi ba ITP bemewe zitangwa mu misi 30 fagitire ikimara gutangwa, kandi imiryango iba yitezweko kuriha muri ico gihe nyene. Iyo hatabayeho kuriha mu gihe c'amezi atatu uhereye igihe fagitire ya mbere yatangiwe ata masezerano yabayeho ku nteguro yo kuriha, CDSA itegerezwa gutanguza uburyo bwo kuyegeranya. Muri ubwo buryo harimwo 1) kumenyesha ibiro vy' umushikirizamanza mukuru c'uko gucererwa, hanyuma 2) CDSA itegerezwa kwereka igisata ca Carolina ya ruguru kijejwe amakori ko habayeho ukunanirwa kuriha, kurihishwa uwo mwenda hisunzwe itegeko rya G.S. Itegeko rya 105A Setoff Debt Collection Act. Ibi bisigurako ukurihishwa amakori bishobora gukorwa ku mwenda uwo ariwo wose utarishe kuri CDSA ku bikorwa vyakozwe.

**INVO ITP ISABA INOMERO YO KWITEGEKANIRIZA KAZOZA:**

ITP yarakoze mu kugabanya ikoreshwa ry'inomero zo kwitegekaniriza kazoza mu bikorwa vyayo. ITP irasabwa gusaba inomero yo kwitegekaniriza kazoza y'umuntu akuze ashobora kwirihira ku mwana arungitswe canke yanditswe muri ITP. ITP isaba inomero yo kwitegekaniriza kazoza y'umuvyeyi kugira ikore ivyo isabwa n'amategeko ya reta hisunzwe itegeko rya N.C.G.S. 105A-3 hamwe na N.C.G.S. 147-86.21 mu gihe hakenewe kwegeranya amafaranga ari mu mwenda uheranywe muri iri shirahamwe. Amategeko ya reta zunze ubumwe hamwe n'aya reta arakingira amakuru bwite hamwe n'umutekano w'inomero zo kwitegekaniriza kazoza ku yindi nvo iyo ariyo yose atari iyo kwegeranya amafaranga aheranywe, canke nk'uko bisabwa n'amategeko.

**PORITIKE IGENGA AMAKURU BWITE**

***Itegeko rya Family Education Rights and Privacy Act (FERPA)***

Itegeko rya Family Education Rights and Privacy Act (FERPA) ni itegeko rya reta zunze ubumwe rikingira amakuru bwite y'abana n'abavyeyi bakorerwa ibikorwa na ITP. Amakuru yerekeye umwana canke umuntu wo mu muryango ni ibanga kandi ntategerezwa guhanahanwa mu bakora ibikorwa ataruhusha rwanditse rutanzwe n'umuvyeyi, kiretse mu bihe bimwe na bimwe aho ugutanga bene ayo makuru vyemewe n'amategeko nko mu gihe akenewe vyihutirwa na muganga canke ku nvo zumutekano, bitegetswe na sentare, canke nko mu gikorwa cemewe co kurondera umwana. Ishirahamwe, ariko, rishobora gutanga amakuru y'ibanga ku bakozi baryo bwite bafise uburenganzira bwo kuronka bene ayo makuru.

# Ibibazo bikunda kubazwa

## Ikiguzi ku mugambi w'ibikorwa vyo gufasha impinja n'imicuko

1. **Bizosaba iki umuryango wanje kwitabira mu mugambi wo gufasha impinja n'imicuko? Ni gute herekanwa uruhara gwanje gw'ikiguzi nsabwa?**
   Imiryango imwimwe irashobora gusangiza ikiguzi c'ibikorwa vy'ubutabazi bwihutirwa hashingiwe ku bushobozi (SFS) bwisunga amafaranga yose hamwe umuryango winjiza (AGI) hamwe n'ukugene umuryango ungana. Ubushobozi kw'ijana bugena ubushobozi bw'umuryango bwo kuriha canke gusabikanya ikiguzi. Ubushobozi kw'ijana buzokwerekanwa imbere yuko umwana yiyandikisha muri ITP kandi busuzumwa buri mwaka.

2. **Ni iki nkeneye gutanga mu kwerekana uruhara nsabwa ku kiguzi?**
   Uzokenera gutanga amakuru yerekeye umuryango wawe ku muhuzabikorwa wawe. Muri ayo makuru harimwo abantu bose baba mu rugo rwawe, imyaka bafise, hamwe n'ico mupfana mu muryango hamwe n'umwana wawe. Utegerezwa kandi gutanga inyandiko ku gisata ca Children's Developmental Services Agency (CDSA) ibiro bijejwe ubudandaji kugira hagenzurwe AGI y'umuryango wawe. Kugenzura ukwiyandikisha mu wundi mugambi wa reta, nko muri Medicaid, birashobora kuba bihagije mu kugena SFS yawe kw'ijana. Mu *mugambi wa Carolina ya ruguru w'impinja n'imicuko imenyesha ku muryango kugira hasuzumwe amafaranga winjiza*, uzohasanga amakuru yerekeye inyandiko zikenewe mu gusuzuma amafaranga winjiza, indangagihe ikenewe hamwe n'izina ry'ibiro vy'ubudandaji vya CDSA yawe. Uguhitamwo kwanka gutanga inyandiko z'ubutunzi bigena SFS kw'ijana kwi 100%. Ivyo bisigura ko uzotegerezwa kuriha ibikorwa vyose birihishwa.

3. **Hoba hari ikiguzi ku mugambi w'ibikorwa vyo gufasha impinja n'imicuko?**
   Ibikorwa vyinshi bikorwa ata kiguzi ku miryango <u>yose</u>. Ibi bikorwa bitarihishwa ku miryango ni ibikorwa vyo kurondera umwana, uguhuza ibikorwa, kwihweza hamwe no gusuzuma, gutunganya hamwe no gusubiramwo integuro y'ibikorwa bibereye umuryango (IFSP), hamwe n'ibikorwa vyo kwizera neza ko uburenganzira bw'umuryango bwubahirijwe. Imiryango irashobora gutanga ikiguzi ku bindi bikorwa vyose. Umuhuzabikorwa wawe azosuzuma buri gikorwa kuri IFSP hanyuma akumenyeshe nimba igikorwa gishobora kugira ikiguzi ku muryango.

4. **Ni kubera iki ukwitegekaniriza mu buvuzi kwanje kurihishwa?**
   Ukwitegekaniriza kwigenga ku muryango wawe kuzorihishwa ibikorwa, ubanje kuvyemera. Mu gihe wemeye,Urugero kw'ijana rwa SFS ruzokoreshwa ku vyarihishijwe ivyo arivyo vyose integuro yo kwitegekaniriza yawe yageneye umuryango. Muri uko kwitegekaniriza harimwo co-pays, co-insurance, canke deductible. Integuro zimwe na zimwe zo kuriha ibikorwa vy'ubutabazi bwihutirwa hisunzwe uturusho umwana wawe agenewe. Iyo igikorwa kidahabwa uturusho, amafaranga shingiro usabwa azoba ari kw'ijanisha rya ITP ( akaba ari ijanisha rya Medicaid). Ijanisha kw'ijana rizokurikizwa ku mafaranga shingiro arihwa. Medicaid canke ayandi masoko y'amafaranga azorihishwa nkuko bibereye, ubanje kuvyemera.

5. **Bigenda gute iyo ubutunzi bw'umuryango wanje buhindutse inyuma y'uko hemejwe ugusangira ikiguzi?**
   Iyo umuryango wawe uciye mu bihe nk'ivyo gutakaza akazi canke amafaranga winjiza canke ugutanga amafaranga menshi kwa muganga, urashobora gusaba irindi suzuma ry'ubutunzi hamwe no guhuza ingorane. Umuhuzabikorwa wawe arashobora kugufasha muri iki gikorwa.